
## Year 1 Phonics Screening Check

Information for parents and carers



# Isuzumwa ry’Imvugo mu Mwaka wa 1

Ibimenyeshejwe abavyeyi n’abarezi

## Imvugo ni iki?

Imvugo ni isano riri hagati y’indome n’amajwi kandi ni nkenérwa cane mu kwiga gusoma. Abana bamwe baragorwa n’ukwiga gusoma, rero ni ngirakamaro ko bamenywa hakiri kare. Gutyo, abigisha bashobora gutegura imfashanyo bakeneye

### Isuzumwa ry’Imvugo mu Mwaka wa 1 ni Iki?

Isuzumwa ry’imvugo mu Mwaka wa 1 ni igenzurwa rigufi riba mu ntara yose rikamenyesha abigisha ingene umwana wawe ariko aramenya imvugo. Iryo suzumwa ritomora ingene umwana wawe ashobora gusoma amajambo y’Icongereza afátanije indome zidasa.Umwana wawe azokwicarana n’umwigisha asabwe gusoma amajambo 40 cane. Ayo majambo arimwo 20 y’ukuri na 20 atábahó. Imvo y’ayo majambo atábahó ni ukurāba ko umunyeshure yokoresha ubumenyi bwiwe bw’ugufatanya mu gusoma, atisunze ivyo yabonye. Ico kibazo kimara iminuta 5-7. Umwana wawe bikimugora umwigisha aca ahagarika ikibazo. Si ikimubabaza.

Imvo nkuru y’Isuzumwa ry’imvugo mu Mwaka wa 1 ni ukuronsa umwigisha w’umwana wawe inkuru izomufasha gutegura inyigisho azômuhá. Umwana wese abazwa n’umwigisha umwe kandi abo mu mwaka wa 1 bose bazobazwa.

### Ni kuki imvugo ari ngirakamaro?

Ubumenyi n’ubuhinga bw’Imvugo ni ntabanduka mu kwiga gusoma n’ukwandika mu Congereza. Kugira ngo babishobore, abanyeshure barakeneye kwiga amajwi yo mu rudome canke mu mperekeranya, hamwe n’ubuhinga bwo gufatanya ayo majwi mu gusoma amajambo. Abagitangura gusoma bakeneye kwiga gufatanya amajwi mu mvugo y’ubunyarutsi mu ntumbero yo  kutazibíra umurindi w’ugusoma n’ugutahura igisomwa kwabo.

Igore uhamagare kw’Ishure ni waba ufise ibibazo ivyo ari vyo vyose vyerekeye Isuzumwa ry’Imvugi ku ban abo mu Mwaka wa 1.

### Hamagara Abogufasha mu Gusobanura ururimi

Asangwa ukeneye ubufasha mw’isobanurwa ry’ururimi ngo uhamagare kw’ishure, igore uhamagare ku nomero 131 450, uzobwire umuhinga ururimi ukeneye maze umusabe aguhamagarire kw’ishure. Uwo muhinga azokuronsa umusobanuzi ku murongo ngo agufashe mu kiganiro cawe. Ntuzorishishwa kubwo ubwo bufasha.